**Bible lessons.** **Lesson 44. LABOR BEFORE DELIVERANCE**
**Exodus 4:27-31**
**Memory verse: "Who has assigned him His way? Or who has said, you have done wrong?" Job 36:23**

**IMBERE YO GUKIKIRA IKIBONDO, HABANZA IBISE.**

**Kuv 4:27-31 ; 5:15-22 ; 6:10-12**

ICIRWA CA 67

Ijambo ngenderwako : « ***Ni nde yayigereye inzira icamwo ? canke ni nde yohagarara kuyibarira ati : Wakoze ibitaroranye ?*** » **Yob. 36:23**

## I. Intangamarara

Icirwa giheruka carerekanye ko Imana ishaka ko Mose areka ivyiyumviro vyo kwibaza ko we ubwiwe yovyishoboza ; akareka ubushobozi n'ishaka vy'Imana akaba arivyo bimukoresha. Imaze kumutuma kuja kwa Farawo, yashikiriye sebukwe amusaba uruhusha, aragenda ashika no Kwafarawo. Iki gikorwa yatumwe n'Imana nticamworoheye. Camubereye nk'igihe c'umugore ageze kwibaruka.

## II. Mose ahura na Aroni

Umurongo wa 27, Uhoraho abwira Aroni ati : « *Genda mu bugararwa uhure na Mose.* » Aragenda aramubona baragumbirana. Aroni yari mukuru wa Mose imyaka itatu. Bari baratandukanye haheze imyaka mirongo ine. Bari bafise mushiki wabo yasumvya Mose imyaka icenda. Aroni na Mose babarira Ab'iwabo umugambi Imana ibafiseko baca barizera ; barunama barasenga.

Hari impavu zitanu zatuma Mose yanka gukorera Imana ico imutumye: Abantu ntibazonyumvira, ntibazonkurikira, ntaco maze, ntabuhinga, sinzi no kuvuga. Ariko yabonye bamwumvira kubera Imana.

**III. Farawo yongereza imibabaro.**

Soma **Kuv. 5:1-9** Mose na Aroni barumvira baja kubarira Farawo ko Imana yabo imusavye ko abarekura bakaja kuyitangira ibimazi k'umusozi.

Ibi bibabaza Farawo cane, ndetse aca yongereza Abaheburayo ibikorwa mu buryo buruhije kandi bugoye. Babake ibikoresho ariko bakore kandi bakwize igitigiri. Yabona ko ahuko hogira uwumucika, botuma bapfa bose bakicwa n'ivyo bikorwa. Ntawugukunda.

Uku niko Satani yababaye cane kuva yumvise ko mw'isi haje Umwami Yesu azanywe no gucungura abantu ngo baze bigire mu gihugu Imana yabasezeraniye. Yafashe ingingo yo kongereza imibabaro kugira abo binaniye kwihangana, biyahure. Bamwe biyicisha ibiboreza n'ibiyayura mutwe ngo niyo nzira yo kumara imibabaro. Aho, akaba abafashe.

**Umur wa 9**. « *Ni babazingire ku bikorwa bikomeye, babe arivyo bitwararika ntibashire imitima ku majambo y'ibinyoma.* » iki nico civugo Satani n'ingabo ziwe bakoresha kugira basamaze abantu, ivyiyumiro vyabo vyose bibe mw'isi. Ntibiyumvire ibizokurikira inyuma yo gupfa kwabo canke ngo bibaze ivy'ijuru. Aho, bakazikangura bashitse mu kuzimu.

**IV. Mose na Aroni batakambira Imana.**

Soma **Kuv. 5:15-22** . Iyi mirongo yerekana ko Farawo yakomeje ububi ku Baheburayo kandi na Mose arabibona arababara. Aca atangura kuzazanirwa no kubaza Imana ati : « **Ni igiki** catumye… ? » muyandi majambo « **kuki, kuki** ? » Mose yoba yari yicaye ahantu ababaye akayibwira ngo : « Hamwe mu gisaka, sinari nakubwiye ko ntabereye gukora iki gikorwa…, kuki wabimpatiyeko ? ibi sinariko ndabikubwira ? »

Aya majambo asa nayavurwa n'umugore afashwe n'inda igeze kuvuka. Aricuza atitaye k'umunezero aza kugira niyo yamara kubona akikiye ikibondo. Imana ni yo yaremye ijuru n'Isi ; irema n'umuntu. Ico ikora cose iba ikizi neza. Imana ni UHORAHO, yamye iriho kandi izohoraho. Ntawoyibaza ngo : Wakoze ibitaroranye.

**Soma Kuv. 6:10-12.** Mose yongera kubaza Imana kandi akoresheje akajambo « **Ate..** ? » aha Mose yabona ko ivyo ariko asigura vyumvikana. Imana mu kumwishura, iravuga ati :'' ***Nzo…*** '' **Kuv. 6:6-7; 7:4** Imana yashatse kumumenyesha ko ari yo ubwayo izobikora. Ibandanirizako imumenyesha imigambi yayo ifitiye abanzukuru ba Aburahamu. Si inkomezi za Mose zawe Mose ; ni jewe nzobikora.

**Kuv. 7:*5*** Imana yavuze ijambo rikomeye *« Igihe nzohana Abanyagiputa bikomeye, ngakura Abisirayeli muri bo, Abanyagiputa bazomenya ko ndi Uhoraho*. » Naho abakuru mu miryango y'Abaheburayo, bari batanguye guca intege Mose na Aron ; iyi nyishu y'Imana yarabaremesheje cane bituma bashishikara guhata Farawo ngo azotinde yemezwe arekura ab' Isirayeli nkuko Imana yabifatiye ingingo. Igihe Imana ivuze ngo ''Nzobikora'' ico kumenya ni uko izobikora koko.

Ni umunyenkomezi mu gikorwa cose. Irabwira Mose ati : «  Mose ndi Uwo ndi we, ndi We, ndashoboye gukora ico cose ngomvye gukora. »

## V. Gushira mu ngiro.

Mu mibabaro myinshi, havumbuka ubwenge.  Kubaha Uhoraho nibwo bwenge. Naho hageze aho Mose ahindukwa n'abiwabo kubera igikorwa atumwe n'Imana ; yakomeje kubaha Uhoraho araramiriza nk'uko umugore yafashwe n'inda atabivamwo atari uko ivutse. Azazaniwe ; abaza Imana ibibazo vyinshi, ariko ni nde yayigereye inzira icamwo ? Ni UHORAHO akora uko abishatse. Birashoboka ukaba uri mugihe co kurira kubera ibibazo biguma vyongerekana, kimwe giheze, hakaza ikindi. Ugeze aho wibaza ko Imana yaguhevye. Ndetse ngo kuba mw'ishengero ataco vyahinduye.  Rema nyuma yaho, uzotabarwa ; ni ubu nyene wohaguruka ugaharirwa ukwidoga wamamwo, inzira y'Imana ikuguruka kuko vyose biri mu maboko yayo.